www.kidworship.kr

# Eliya

- Old Testament II / 9th story -



69Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Hari ku ngoma y’umwami Ahabu ku bisirayeli. Umwami Ahabu ntiyizera Uhoraho ariko yasenga ikirwamana Bayali. Imana irungika Eliya ku b’isirayeli. |
| Eliya | Ntidushobora gusenga ivyo bigirwamana. Imana yacu niyo kandi ni imwe rudende. |
| Uwuvuga | Eliya yamaze ubuzima bwiwe bwose abwira abisirayeli ijambo ry’Imana. |
| Uhoraho | “Haguruka rimwe uje i Zarefati mu gihugu c’i Sidoni ubeyo.” |
| Eliya | “Ego mwami nzobikora uko ubigomba.” |
| Uwuvuga | Umusi umwe Imana ibarira Eliya kuja i Zarefati kandi ko azohura n’umugore w’umupfakazi. |



70Page

| | |
|---|---|
| Eliya | Umusi umwe Imana ibarira Eliya kuja i Zarefati kandi ko azohura n’umugore w’umupfakazi. |
| Uwuvuga | Hanyuma abona umugore yegeranya inkwi. Yari umupfakazi. Eliya aganira n’uwo mupfakazi i Zarefati. |
| Eliya | Ntabara urabe ico wonzaniramwo amazi yo kunywa unzanire n'utwo notamira. |
| Uwuvuga | Ntabara unzanire amazi yo kunywa mu combo n’utwo gutamira? Uwo mupfakazi w’I Zarefati atahura ubwo nyene ko Eliya ari umuntu w’Imana. Ariko uwo mupfakazi yari akenye cane, ivyo Eliya yamusaba vyari nk’umuzigo kuri we. |
| Umupfakazi | Nta mutsima mfise- agafu kari ku rushi gasigaye mu gaseke n’utanguzwa tw’amavuta ya Elayo turi mu gakarabo.ndiko ndatoragura udukwi dukeyi njana muhira hanyuma kugira ngo ncumbe twe n’umwana w’umuhungu wanje turye gaheze mpfe. |
| Uwuvuga | Eliya yari azi ivyo uwo mupfazi arimwo. |
| Eliya | Ndazi vyo urimwo. Ariko ncumbire agatsima ku vyo ufise hanyuma ukanzanire. Hanyuma, Uhoraho, Imana ya Isirayeli aza gutuma ako gaseke kadashiramwo ifu n’ako gakarabo k’amavuta ntikazokuma. |



71Page



72Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Nuko aragenda, abikora nk’uko Eliya yabivuze.Ni uko mu gihe c’imyaka itatu n’igice y’ikigoyi muri Isirayeli, agaseke k’uwo mupfakazi ntikigezegaheramwo ifu kandi nay a Karabo y’amavuta ntiyigeze yuma. |

**Uwuvuga** Hanyuma umusi umwe, ikintu kibabaje gishira wa mupfakazi w'I Zarefati. Umuhungu wiwe yari akomeye afatwa bukumbi aracikana. Wa mupfakazi w'i Zarefati abarira Eliya:



73Page

**Umupfakazi** (N'ijwi ry'agahinda) "twapfuye iki? Waje kunyibutsa ivyaha vyanje ngo unyicire umuhungu?"

**Uwuvuga** Uwo mupfakazi araturikisha ararira. Eliya aterura wa muhungu mu biganza hanyuma amuryamika ku gitanda mu cumbaco hejuru. Araheza arasenga Imana.


---



74Page

**Eliya** "Data, kuki wazanye iki cago kuri uyu mupfakazi yampaye indaro ugatuma umuhungu wiwe apfa?"

**Uwuvuga** Eliya yubarara kuri uwo mwana incuro gatatu atakambira Imana.



75Page

**Eliya** "Mana yanje, ndakwinginze. Reka uyu muhungu yongere kubaho."

**Umwana w'umuhungu** Mama! Ndashonje.

**Uwuvuga** Uhoraho yumvira ugutakamba kwa Eliya, wa muhungu asubira kuba muzima, arabaho. Wa mupfakazi w'i Zarefati aterura umuhungu wiwe mu biganza hanyuma ararira n'umunezero. Aca afukama imbere ya Eliya.

---

**Umupfakazi** Ubu ntahuye ko uri umuntu w'Imana kandi koijambo riva ku Mana riciye mu kanwa kawe ari ukuri.

**Uwuvuga** Wa mupfakazi w'i Zarefati atazira Uhoraho amuha amashimwe.